Urupapuro rw'inkuru z'amagara kuri bose

# Amazi ya Lye (Amazi arimwo ivyunyunyu)

Amazi ya Lye ( keshi na keshi bita amazi y'ivyunyunyu) akoreshwa ku rugero rutoyi mu guteka inyama, umuceri canke amapasita hamwe n'imboga nk'ibigori, ibiharagi,ibisoya, - kugira yoroshe canke yongeremwo akanovera. Amazi ya Lye arashobora gukoreshwa mu gutora isabuni.




Ubwoko bubiri bw'amazi ya Lye badandaza muri Australia

Utubuye tw'umunyu canke ipoda bishobora gukora igikorwa kimwe nk'amazi ya Lye:

- Ubumara bita bikarubonate (Bicarbonate Soda)
- Umunyu bita karubonate
- Umunyu bita bikarubonate
- Umunyu wa Lye
- Uvusaaru
- Combo
- Ubumara bwa ash (Soda ash)
- Ubumara bwa magadi (madadi soda)

## Niki nshobora kumenya kubijanye n'amazi ya Lye?

- Amazi ya Lye agurwa muri Australia usanga akaze kurusha amavuta yo guteka bakoresha muri Africa be n'ibindi bihugu.
- Abana banyoye batabizi amazi ya Lye basabwa kwihutirwa kubasuzuma ku bitaro.
- Ubushe bushobora gukara kandi burashobora gutera ingorane z'ibihe vyose.
- Amacupa bashiramwo amazi ya Lye afise umufuniko ugoye kwugurura cane cane kubana. Urashobora kutababuza kwugurura mugabo uratuma ubakurako ivyizigiro vyo kuyugurura.



*Fata cane canke ufyonde umanura mu kwugurura. Uhakikishe ko umurumvo wugaye kandi neza.*

## Kubera iki amazi ya Lye akaze ku magara?

- Amzi ya Lye ni meza muguteka ariko ni amazi ashobora gukara mugihe:
    - Anyowe ubwonyene avuye mwicupa ryayo, bishobora guturira umunywa, umuhogo be n'umushishito.
    - Uyitarukirije ku rukoba ashobora guturira amaso canke urukoba.

Government of South Australia
SA Health

# Gukingira abana ntibahure n'impanuka z'ubushe bivuye ku mazi ya Lye.



**1. Ntuhirahire:** Ubike amazi ya Lye aho abana bashobora guhamvya icupa kugira ntigahave bayanywa.

**Amazi ya lye ni meza mu guteka mugabo ashobora guturira umunywa, umuhogo be n'umushishito if anyowe ubwonyene avuye mw'icupa**

****** Iyo anyowe hamagara ambilanse kuri 000
(canke 112 kw'itelefone yo mumaboko).



**2. Ntuhirahire**: wibagire ko abana bashobora kwurira bagahamvya ku kabati canke hejuru ya firigo.

**Imisi yose ushire amaze ya lye aho abana badashobora guhamvya.**



**3. Ntuhirahire:** upime amazi ya lye mugikombe canke ikiyiko hama uce ugisiga ku ntebe aho abana bashobora kuyanywa.

**Nivyiza kuyashira mu guteka ubwonyene.**




**4. Ntuhirahire:** Ntushire amazi ya Lye murindi cupa.
Umurumyo uri kw'icupa ry'amazi ya lye uragumyw kw'ugurura ku bana, none ni vyiza gushira icupa ry'amazi ya lye aho abana bataribona batara yanywako.

**Uhakikishe ko umurumyo wugaye kandi neza.**

---

## Inkuru zindi z'ibijanye n'amazi ya lye canke canke ibindi bintu bakoresha munzu bihinguwe baza:

**Carolyn Lewis**
**Scientific Services Branch**
**Public Health**

1st floor
Citi Centre Building
11 Hindmarsh Square
Adelaide SA 5000

Tel 08 8226 7156
Fax 08 8226 7102

www.health.sa.gov.au

**Poisons Information Centre**
13 11 26

Government South Australia
SA Health

© Department of Health, Government of South Australia. All rights reserved.